REPUBLIQUE DU BURUNDI
Commission Electorale Nationale Indépendante

CENI

ITANGAZO

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe gutunganya amatora (CENI) uramenyesheje Abarundi n' amakungu, na cane cane Abarundi biyandikishije ngo bitabe amatora yo mu 2015 ko amakarata y'abatora (Cartes d'électeur) yabonetse.

Ayo makarata atangirwa mu bibanza mwiyandikishirijemwo biri mu mitumba n'amakaritiye yanyu. Muzohasanga abakozi babiri ba CENI babibafashamwo mu kibanza kimwe kimwe cose.

Musabwe kuja kuyatora bidatevye kuko iminsi isigaye ngo amatora abe atari myinshi.Ico gikorwa catanguye igenekerezo rya 25 rusama kizomara iminsi itanu (5 jours). Bisigurako kizohera kw'igenekerezo rya 29 Rusama 2015. Gitangura isaha imwe n'igice zo mu gitondo (7h30') kigashika isaha cumi n'imwe n'inusu z'umugoroba (17h30').

Mu ntara ya Bujumbura no mu Gisagara ca Bujumbura, umunsi wo gutangura ico gikorwa tuzowubamenyesha hanyuma.

Umurwi CENI urasavye inzego zijejwe intwaro , umutekano, hamwe n'abarongoye amashure ko bofasha kugira ngo ico gikorwa kigende neza. Umurwi CENI usavye kandi Ibisata vyawo vyo mu ntara CEPI, no mu ma Komine CECI gukora ico gikorwa n'ubwira bwinshi.

Bigiriwe i Bujumbura ku wa 25/5/2015

Amb. Pierre Claver NDAYICARIYE

Umukuru w'Umurwi CENI

« Ensemble pour les élections démocratiques, libres, apaisées, inclusives et transparentes »

Siège : Commune Ngagara, Q. Industriel, Blv de l'OUA, Rue Nyankoni, Parcelle n° 690/C, B.P. 1128 Bujumbura, Tél : 22 27 44 64, e-mail : burundiceni@yahoo.fr, Site Web : www.ceniburundi.bi